
Bibiliya y'Abana

Ishikirije

# Imyaka Mirongo Ine



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson


Itunganywa na: Lyn Doerksen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.







Igihe Imana yakura ab'isirayeli muri Egiputa, Mose yarongoye abantu guhimbaza Imana. Yaciye atunganya indirimbo yo gutazira Imana. "Ndaririmbira Uhoraho, kuko yaduhaye intsinzi y'agahebuza." Mose aririmba kubw'ibintu vyose bikomeye Imana yakoreye ab'isirayeli.


Gloire à Dieu!
Imana ihabwe icubahiro!





Bamaze imisi itatu m'ubugararwa, abantu banyotewe, babona umugezi ariko ntibashobora kunywa ayo mazi kuko yarura. Aho gusenga, abantu baca batangura kwidodomba. Imana ibagirira neza.
Ihindura ayo mazi ahinduka amazi bashobora kunywa.
3



Biraboneka ko abantu bidodombera ico arico cose. Baravuga bati: "Muri Egiputa twari dufise ivyo turya. M'ubugararwa hoho tuzokwicwa n'inzara." Mugitondo ca kare Imana ibarungikira inyoni zitwa inkware. Abantu bazifata vyoroshe.
4


Igitondo cakurikiye, Imana ibarungikira manu. Wari nk'umukate usosa nk'ubuki. Misi yose mugatondo manu
yaba iri hasi, bashobora kuyandura. Muri ubwo buryo Imana yagaburira abantu bayo bari m'ubugararwa.
5


Bategerezwa kwizera Imana k'umusi k'umusi kugira ngo ibagaburire. Bamwe begeranya manu nyishi cane, n'aho Imana yari yababwiye ko izoca ibora mw'ijoro.
6



Vyari bizwi ko manu y'ejo bwaca yuzuyemwo inyo kiretse k'umusi w'isabato gusa. Kuri uwo musi udasanzwe w'indwi, abantu bararuhuka kandi barya manu bari begeranije k'umusi waheze.
7


Imana yaritwararika ab'isirayeli bari m'ubugararwa. Yabaha amazi n'ivyo kurya, kandi yagenda ibarinda abansi babo.
Igihe abamaleki babatera, Isirayeli yama inesha intambara igihe coseMose yaduza inkoni y'Imana.
8




Imana ibarira ab'isirayeli iti: "Nimwumvira ijwi ryanje, muzoba ihanga ryanje ryatoranijwe." Nabo babwira Mose bati: "Ivyo Imana izovuga vyose, tuzobikora". Baja k'umucamo w'umusozi sinayi kandi barindira Mose igihe yari agiye kubonana n'Imana.

9




Mose amarana n'Imana imisi mirongo ine k'umusozi. Imana yandika amategeko cumi kubisate vy'amabuye bibiri. Ibwira Mose uko yashaka ko abantu babaho.


10




11





12



Mugihe Mose yarikumwe n'Imana k'umusozi sinayi, ab'isirayeli bakoze ikizira. Bategeka Aroni kubacurira inyana munzahabu, ngo bayisenge nk'Imana yabo. Imana irashavura cane, na Mose arashavura cane.


13




Mose abonye abantu bariko batambira imbere y'iyo nyana, aca amena vyabisate vy'amabuye hasi. Aca amenagura cakigirwamana c'inzahabu. Yica abantu babi bariko basenga ico kigirwamana.

14

Imana ica isubira kumuha ibindi bisate vy'amabuye bibiri bisubirira bimwe vyameneka. Ica ibarira Mose kwubaka ihema ryibonaniro, ryari ihema rinini rikikijwe n'uruzitiro-aho Imana yashobora kubana n'abantu bayo. Aho niho bategerezwa gutazirira Imana. Inkingi y'igicu n'umuriro yerekana ko Imana irikumwe nabo.





15

Bageze hafi y'i kanani, Mose atuma abatasi cumi na babiri kugira baje kuraba igihugu Imana yemereye abantu bayo. Abatasi bose bumvikana kuvuga ko ari igihugu ciza cane. Ariko havuyemwo babiri gusa Yosuwa na Kalebu bemera ko bazokwinjira no kwigarurira ico gihugu bafashijwe n'Imana.



16


Abatasi cumi basigaye baterwa ubwoba n'ibisagara bikomakomeye kandi bibamwo abantu b'ibigatanya. Bavuga m'ubwongoshwa bati: "Ntituzoshobora kwigarurira ico gihugu."

Bari bibagiye ibintu bikomeye Imana yakoze mukubakura muri Egiputa.



17

Abantu baca bakurikira abo batasi cumi batizera. Bavuza induru kandi bitegura gusubira muri Egiputa. Mbere bagerageza no kwica Mose! Imana ikiza ubuzima bwa Mose. Hama ibwira abantu iti: "Muzomara imyaka mirongo ine muyerera m'ubugararwa. Kalebu, Yosuwa n'abana babo nibo bonyene bazoshika mugihugu mwasuzuguye."



18

Imyaka Mirongo Ine

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Kuvayo 15 - Guharura 14

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

19



# Iherezo

12

60

20

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana
yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16